KLC

KINGDOM LIFE COMMUNITY


Pasteur NDAYISENGA Wenceslas

HAGURUKA USENGE

Umuhamagaro

"Ni mube maso, musenge, ntimuje mu mosha mabi. Umutima ni wo ukunze, arik' umubiri ufise intege nke."

Matayo 26:41





Ijambo ry'Imana



Isengesho



Kwisonzesha

Igitabo c'Ubwami bw'Imana ku basenga bose, mu mashengero yose

Gitugutu 2026

Tel: +257 61056556 ou +257 79988236 | Email: wenceslas304@gmail.com | Site web: https://bujumbura.bi

IBIRIMWO

ISHIMWE
IJAMBO RY'INTANGO
INGENE WOKORESHA IKI GITABO
INTANGAMARARA: NI KUKI TURYAMYE?

UMUGABANE WA I • UMUHAMAGARO

IKIGABANE CA 1: UBWAMI BW'IMANA BUZA KU MAVI
IKIGABANE CA 2: ISENGESHO NI IKI?
IKIGABANE CA 3: YESU, UMWIGISHA W'ISENGESHO
IKIGABANE CA 4: ABAGABO N'ABAGORE B'ISENGESHO MURI BIBILIYA
IKIGABANE CA 5: KUKI TUDASENGA? INZITIZI 10 ZIZIMYA UMURIRO

ISHIMWE

Ku Mana Data, Yo yumva isengesho ry'abana bayo, Yo idahunyiza kandi idasinzira: icubahiro cose ni Icayo. Iyo utaba wumva, ntitwobaye dufise ico tuvuga. Ndagukengurukiye kuko watwugururiye urugi muri Yesu Kristo, ukaduha na Mpwemu Yera kugira atwigishe gusenga.

Ku basenzi bose bo mu mpisho: abavyeyi bapfukama abana bagisinziriye; abatama n'abatamakazi bamaze imyaka baririra imbere y'Imana ku bw'imiryango yabo; abashibamyi b'ijoro baguma kwizamu mu igihe abandi baryamye. Amazina yanyu ntazwi na benshi, ariko arazwi mw'ijuru. Ivyo turiko ducamwo uno musi vyinshi ni ivyamwa vy'amosozi yanyu. Iki gitabo ni icanyu.

Ku ruganwe ruzokurikira: urwaruka n'abana bazokwiga gupfukama imbere yo gutangura kwiruka, bagatwara umuriro aho twebwe tutashitse. Ndabashikirije izi mpapuro, nsenga ngo muzobone ivyo twipfuje kubona.

> *ati Mpamagara, nanje ndakwitaba, nkwereke ibihambaye n'ivyikinze, ivy' utaribwamenye.*
>
> *Yeremiya 33:3.*

IJAMBO RY'IKAZE

Musomyi mukundwa,

Iki gitabo nticavukiye ku meza y'umwanditsi; cavukiye ku mavi. Haraciye imyaka ndaba Ishengero ryo mu gihugu cacu no mu karere, nkabona ibintu bibiri bidahuye : Ku ruhande rumwe, insengero ziriyongera, indirimbo ni nyinshi, amakoraniro ni menshi; Ku rundi ruhande, ingo zirasambuka, urwaruka ruratakara, inzigo n'ubukene biratwugarije. Naribajije nti: tubuze iki? Inyishu naronse si nshasha: tubuze isengesho. Ntitubuze amajambo y'isengesho; tubuze abantu basenga.

Ni co gituma nanditse. Sinanditse nk'uwamaze kuminuza; nanditse nk'umunyeshure akiri mw'ishure rya Yesu, asangira n'abandi ivyo ariko ariga. Mu mpapuro zikurikira uzosangamwo Ijambo ry'Imana imbere ya vyose, uzosangamwo kandi n'amajwi y'abakozi b'Imana bo muri kahise baturuka mu bihugu bitandukanye banditse kw'isengesho no ku kwisonzesha. Natumiye inyandiko zabo nk'ivyabona, si nk'abacamanza: Bibiliya ni yo ivuga ijambo rya nyuma.

Iki gitabu ni ica nde?

Iki gitabo ni ic'umukristo wese ari mw'Ishengero iry'ari ryo ryose. Nticandikiwe idini rimwe canke ishirahamwe rimwe. Ni ic'umuvyeyi wese ashaka gusengera abana biwe; ic'umusore n'inkumi bashaka kumenya Imana vy'ukuri; ic'umurongozi w'Ishengero aremerewe n'ivyo ajejwe; ic'umugwi w'isengesho ushaka gusubira gucana umuriro; n'ic'uwurushe atakimenya ingene asenga.

Kizogufasha iki?

Ibintu bitatu. Ica mbere, **kizokuvyura**: uzokwumva ijwi rya Yesu rikubwira riti "Haguruka usenge." Ica kabiri, **kizokwigisha**: isengesho n'ukwisonzesha birigwa, nk'uko umwana yiga kugendagenda. Ica gatatu, **kizoguha ingendo**: imigambi, impapuro n'indongozi biguhamagarira gutangura uno musi, wewe wenyene, mu rugo no mu mugwi.

Ndagusavye ikintu kimwe: ntugisome ufise iciyumviro co kukirangiza kare. Ikigabane kimwe washize mu ngiro kiruta ibigabane cumi wasomye wihuta. Ndasenze ngo Mpwemu Yera, we Mwigisha atazimiza kandi w'ukuri, akubonere mu mpisho mu nzu yawe yo haruguru. Kandi ndasengera n'uwuzosoma iki gitabu ntazogume ameze nkuko yari ari atarangisoma. Amen

Mu rukundo rwa Kristo,

Pasteur NDAYISENGA Wenceslas

INGENE WOKORESHA IKI GITABO

Iki gitabo si ico gusomwa rimwe hanyuma kibikwe mu kabati. Ni nk'isuka: akamaro kayo kaboneka mu murima. Ng'izi inzira zine zo kugikoresha. Hitamwo iyijanye n'ubuzima bwawe; urashobora no kuzifatanya.

1. Uri wenyene

Soma **ikigabane kimwe ku musi** nimba ushaka kugiheza mu kwezi kumwe, canke **ikigabane kimwe mu ndwi** nimba ushaka kucinjira mu mizi. Iyo nzira ya kabiri ni yo mpanura: usoma ikigabane ku musi wa mbere w'indwi, hanyuma garuka urabe ku bibazo hagati mu ndwi, ugashira mu ngiro "Intambwe y'iyi ndwi" imbere yo kuja ku gikurikira. Gira ikayi n'ikaramu hafi yawe. Andika ico Imana ikubwiye, si ivyo umwanditsi avuze gusa. Ivyo Imana ukwongoreye bisumba ivyo umwanditsi yanditse.

2. Mu rugo

Abubakanye, canke abavyeyi n'abana bakuze, barashobora gusoma hamwe ikigabane kimwe mu ndwi. Umwe asoma n'ijwi rirenga igihimba gito, mugaca muganira ku kibazo kimwe canke bibiri, mugasozera n'isengesho ryanditswe ku mpera y'ikigabane. Iminota 20 irakwiye. Ikigabane ca 21 kivuga igicaniro co mu rugo kirabafasha gutangura.

3. Mu mugwi w'isengesho (indwi 12)

Umugwi w'abantu batanu gushika kuri cumi na babiri urashobora guca mu gitabo cose mu **ndwi 12**. Umwe wese asoma ibigabane c'indwi ari i muhira; mw'ikoraniro muraganira ku bibazo, hanyuma mukamara umwanya munini musenga kuruta ico muvuga. Urutonde rw'indwi 12, ikibazo nyamukuru n'ico musengera buri ndwi biri inyuma mu gitabo, mu "Indongozi y'inyigisho z'imigwi". Ikigabane ca 28 cerekana ingene umugwi urongorwa.

4. Hamwe n'imisi 21

Ikigabane ca 25 kirimwo urugendo rw'**imisi 21 y'isengesho n'ukwisonzesha**: buri musi ufise icanditswe, ukuzirikana kugufi, ibintu bitatu vyo gusengera n'igikorwa kimwe. Urashobora kugukora urugendo rw'imisi 21 uri wenyene, mu rugo, canke Ishengero ryose. Abenshi babikora mu ntango y'umwaka, ariko igihe cose ni ciza. Imbere yo gutangura, soma ibigabane vya 15 na 26 ku bijanye n'amagara: hari abantu badakwiye kwisonzesha batabanje guhanuza muganga.

Ibintu bitanu bisozera ikigabane cose

Ikigabane cose gisozerwa n'ibintu bitanu bimwe. Ntubisimbe: ni vyo bihindura ugusoma kugahindukamwo ubuzima.

Uguheraheza	Ico kimaze
Ivyo twibuka	Ingingo zine gushika kuri zitandatu zegeranya ikigabane. Zisubiremwo imbere yo kuryama.
Ibibazo vyo kwiyumvira no kuganira	Ibibazo bine canke bitanu. Uri wenyene, vyishure mw'ikayi yawe; mu mugwi, ni vyo muganirako.

Uguheraheza	Ico kimaze
Intambwe y'iyi ndwi	Ibikorwa bibiri canke bitatu bifatika. Hitamwo n'imiburiburi kimwe, ugikore imbere y'uko indwi ihera.
Isengesho	Isengesho ryanditse ushobora gusenga n'ijwi rirenga. Ni intango gusa: nuriheza, ubandanye mu majambo yawe.
Ikiraro	Iryungane rimwe rikujana ku kigabane gikurikira, kugira ngo ubone ingene inyigisho zifatanye.

Imigabane itanu y'igitabo

Igitabo kigabuwemwo imigabane itanu. Umugabane wose wishura ikibazo kimwe. Bikurikirane uko biri: uwuhamagawe ariga, uwize arisonzesha, abasenga bisonzesha babona umuvyuro, kandi umuvyuro urakenera ingendo zo kuwugumamwo.

Umugabane	Izina	Ibigabane	Ikibazo wishura
Wa I	UMUHAMAGARO	1 gushika 5	Ni kuki ntegerezwa gusenga, kandi ni igiki kimbuza?
Wa II	ISHURE RY'ISENGESHO	6 gushika 11	Nsenga gute, kandi nkora iki iyo inyishu itevye?
Wa III	UKWISONZESHA	12 gushika 17	Ni kuki nisonzesha, kandi mbikora gute neza?
Wa IV	UMUVYURO	18 gushika 24	Imana ishaka gukora iki mu rugo, mw'Ishengero no mu gihugu?
Wa V	INGENDO	25 gushika 28	Ntangura gute uno musi, kandi nkomeza gute?

Impanuro zitatu

- **Soma ufise Bibiliya.** Ivyanditswe biri muri iki gitabo bivuzwe mu majambo y'umwanditsi, bigakurikirwa na "raba". Ugurura Bibiliya yawe, usome icanditswe ubwaco.
- **Ntiwigereranye.** Abantu uzosoma ko basenga amasaha menshi canke bisonzesheje imisi myinshi ntibatanguriye aho. Tangurira aho uri, n'iminota 15.
- **Ntugende wenyene.** Rondera n'imiburiburi umuntu umwe muzosangira urugendo, mukabazanya, mugasengeranira.

> **UKURI NYAMUKURU**
> Iki gitabo ntikizoba cakoze igikorwa caco umusi ugihejeje kugisoma. Kizoba cagikoze umusi uzosanga wapfukamye utabibwirijwe.

INTANGAMARARA: NI KUKI TURYAMYE?

> *Arababaza, ati N'iki gitumye musinzira? Ni muvyuke, musenge, ntimuje mu mosha mabi.*
> *Luka 22:46*

Ni mw'ijoro. Hakurya y'umugezi wa Kidironi, mu murima w'imyelayo witwa Getsemane, Umwana w'Imana apfukamye. Agahinda kamuremereye gushika ku rupfu. Hasigaye amasaha makeyi kugira afatwe, akubitwe, abambwe. Muri iryo joro, hagira hashike ikizoshika ku bantu bose. Yesu yajanye abigishwa batatu yakunda kuruta abandi: Petero, Yakobo na Yohana. Ntiyabasavye kumurwanira, kandi ntiyabasavye no kwigisha. Yabasavye ikintu kimwe gusa: " Arababgira, at' Umutima wanje uri n'akabonge kagomba kunyica: ba muragumye aha, mubane maso nanje." (Matayo 26:38).

Agarutse, asanga barasinziriye. Abaza Petero ikibazo kigifise ijwi rirengera ibihe n'imyaka no gushika mu gihe cacu: " Agaruka ku bigishwa, asanga basinziriye, abaza Petero, at' Ubgo ntimurushe mubana maso nanje n'isaha n'imwe?" (Matayo 26:40). Asubira gusenga. Agaruka ubwa kabiri: baracasinziriye, amaso yabo aremerewe. Ubwa gatatu: ni ko bikiri. Hanyuma ingabo zirashika zifise amatara n'inkota. Abatashoboye kumara isaha nimwe basenga ntibamaze n'isaha bahagaze: umwe yakuye inkota akubita ahatari ho, bose barahunga, Petero na we yihakana Umwami wiwe gatatu imbere y'uko inkoko ibika.

Iyo ni yo nkuru yacu. Ntituri abansi ba Yesu. Turamukunda. Twaramukurikiye gushika mu murima i Getsemane. Ariko turasinziriye. Gushika i Getsemane ntabwo ari ikigoye. Igihambaye n'inyishu duha igisabo c'ijuru ko turi maso canke dusinziriye.

Itiro ry'abakunda Yesu i Getsemane

Luka yanditse ko abigishwa bari basinzirijwe n'umubabaro (raba Luka 22:45). Itiro ryacu na ryo rifise imvo canke ibituma: uburuhe bw'akazi, amaganya y'ubuzima, kurondera ico abana barya, telefone itazima, n'ugucika intege kw'uwasenze ntabone inyishu. Ivyo bituma birumvikana. Ariko Yesu ntiyavuze ati: "Ndabatahura, nimwiryamire." Yavuze ati: "*N'iki gitumye musinzira? Ni muvyuke, musenge*."

Raba ibitangaza. Ikoraniro ry'indirimbo ryuzura abantu ariko ikoraniro iry'isengesho rikazamwo bake. Turabahinga mukuvuga ivyerekeye Imana kuruta kuvugana na Yo. Twibuka gusenga iyo ivyago bishitse, Ivyo vyago bihava canke bigumaho amasengesho ntarenga aho. Corrie ten Boom yabajije ikibazo kitoroshe: isengesho ryawe ni nk'ivola iyoborera imodoka yawe mw'ibarabara, canke isengesho ryawe ni nk'ipine ryo gusubiriza ribitswe inyuma, ryibukwa gusa iyo habaye ingorane?

Itiro ry'impwemu riteye ubwoba kuko uwusinziriye atamenya ko asinziriye. Ararota ko ari maso. Ishengero rirashobora kutunganya ibikorwa vyinshi, imigambi myinshi n'urwamo rwinshi, kandi risinziriye. E. M. Bounds, mu gitabo ciwe "Power Through Prayer" (Ububasha buva mw'isengesho), yerekanye ko Ishengero ryama rirondera uburyo bwiza buruta, mu gihe Imana Yo irondera abantu beza baruta: abantu b'isengesho. Uburyo bw'Imana ni abantu.

Itara ritagira amavuta

Yesu yaciye uwundi mugani w'ijoro. Abigeme cumi barindiriye umukwe. Bose bafise amatara. Bose bari barindiriye. Umukwe agitebaganye bose barahunyiza. Mu gicugu, ijwi rirasamirana riti: "*ngo Nguyu umukwe, ni musohoke mumusanganire*" Batanu barahaguruka, amatara yabo araka. Abandi batanu basanga ayabo ariko arazima: nta mavuta bazanye (raba Matayo 25:1–13).

Mu ngo nyinshi zo ku mitumba yacu turazi itara ry'amazutu. Rirashobora kuba ari ryiza, ikirahuri caryo gikeye, urutambi ari rushasha. Ariko iyo amazutu aheze, urutambi ni rwo rusha, rukagira umwotsi, hanyuma umwiza ukaza. Ni ko bimeze ku mukristo adasenga: asigarana ishusho, akabura umuco. Arabandanya kuririmba, gukora, eka no kwigisha, ariko ni urutambi ruriko rurasha.

Amavuta ntatizwa. Abigeme b'ibijuju basavye abandi ngo babahe, biranka. Isengesho ry'umuvyeyi wawe ntirisubirira iryawe. Umuriro w'umwungere wawe ntuzogucanira itara ubuzima bwawe bwose. Umwe wese ategerezwa kuja kwironderera amavuta yiwe, mu cumba ciwe c'ibanga, imbere ya Data abona ibiri mu mpisho (raba Matayo 6:6). Leonard Ravenhill, mu gitabo "Why Revival Tarries" (Igituma umuvyuro uteba), yavuze ko ata muntu aruta ubuzima bwiwe bw'isengesho. Uko upfukama mu mpisho ni ko uba uhagaze vy'ukuri.

Ico itiro ridutwara

Itiro ryo muri Getsemane ntiryabaye ry'ubusa. Yesu yari yababwiye ati: "*Ni mube maso, musenge, ntimuje mu mosha mabi. Umutima ni wo ukunze, arik' umubiri ufise intege nke*." (Matayo 26:41). Isengesho ni ryo ryari kubakomeza. Yesu yarasenze, ahaguruka afise amahoro, aja ku musaraba ashiz'amanga adahungabana. Abigishwa barasinziriye, bahaguruka bafise ubwoba, barwanisha inkota, basanzara. Ikigeragezo cari kimwe ariko itandukaniro ryabaye isaha imwe y'isengesho.

Uko ni ko biri n'ubu. Urugo rudasenga ruhura n'igihuhusi rutiteguriye. Umusore adasenga ahura na mosha mabi ata nkomezi afise. Umurongozi adasenga afata ingingo zihambaye yishimikije ubwenge bwiwe gusa. Ishengero ridasenga rirakora cane, rikaruha cane ariko rikimbura bike. Samuel Chadwick yavuze ko ikintu kimwe gusa Shetani yitwararika ari kubuza abakristo gusenga: ntatinya inyigisho zacu, ibikorwa vyacu canke umwete wacu igihe vyose bitagira isengesho; ahinda agashitsi iyo dusenze. Nimba umwansi azi aho inkomezi zacu ziri, ni kuki twebwe tutohamenya?

Ubwami buva ku mavi

Ng'ir'inshingiro ry'iki gitabo mu majambo make: **Ubwami bw'Imana butera imbere biciye ku bantu basenga kandi bisonzesha.** Si ku banyabwenge gusa, si ku batunzi gusa, si ku bazi kuvuga gusa. Ni ku bantu bapfukama.

Raba Bibiliya uko yakabaye. Mose araduza amaboko ku mpinga, Isirayeli igatsinda mu kiyaya (raba Kuvayo 17:8–13). Hana arasuka umutima wiwe imbere y'Uhoraho i Shilo, Samweli akavuka (raba 1 Samweli 1:10–20). Eliya arasenga, imvura irahagarara; arasubira gusenga, ijuru riratanga imvura (raba Yakobo 5:17–18). Esiteri n'abiwe barisonzesha imisi itatu, itegeko ry'urupfu rirahinduka (raba Esiteri 4:16). Ab'i Ninewe barisonzesha bakihana, igisagara kirarokoka (raba Yona 3:5–10). Yesu ubwiwe atanguranye igikorwa ciwe n'amasengesho yo kwisonzesha y'imisi

mirongo ine, aragisozera asenga ku musaraba. Abigishwa nk'ijana na mirongo ibiri bagumye hamwe bariko basenga mu cumba co hejuru, Mpwemu Yera akamanuka (raba Ivyakozwe n'intumwa 1:14–15; 2:1–4). Ishengero ry'i Antiyokiya rirasenga ryisonzesha, Ubutumwa bwiza bugaca buja mu mahanga (raba Ivyakozwe n'intumwa 13:1–3).

Yesu yatwigishije gusenga duti: " *ubwami bwawe buze, ivyo ugomba bibe mw isi nk'uko biba mw ijuru.*" (Matayo 6:10). Ntiyari kutwigisha iryo sengesho iyo riba ridashoboye guhindura ikintu kw'isi. Imana, mu bwigenge bwayo, yahisemwo gukorana n'abana bayo bari ngaha kw'isi. Si uko yananiwe gukora yonyene; ni kubera ari Data, kandi Data ahimbarwa no gukorana n'abana biwe. Isengesho rero s'igikoresho co guhutagiza Imana kugira ikore ivyo idashaka; Isengesho n'ukwifatanya na Yo mu vyo ishaka. Ukwisonzesha s'uguhagarika kurya kugira Imana idutinye; n'ukwicisha bugufi kugira itubwire inzira Zayo.

Ni ko vyabaye muri kahise k'Ishengero. Imivyuro izwi yabanjirijwe n'amasengesho y'abantu bake basenga bashishikaye, kenshi mu mpisho. No mu karere kacu nyene ni ko vyagenze, umuvyuro wabaye muri Afirika y'Ubuseruko watanguriye hafi y'i Gahini mu Rwanda mu ntango y'imyaka ya 1930 ugashika no mu Burundi, waranzwe n'ukwihana kweruye, ugusubiza hamwe n'ukugendera mu muco. Turi abaragwa b'iyo nkuru. Ikibazo n'iki: tuzoyibika mu bitabo, canke tuzoyibamwo?

Ni co gituma iki gihe atari ico kuryama. Ingorane z'ingo zacu, iz'urwaruka rwacu n'iz'igihugu cacu ntizizotorerwa umuti n'amanama gusa, n'imigambi gusa canke n'amahera gusa. Ivyo vyose birafise ikibanza cavyo. Ariko hari ibintu bidahinduka hatabaye isengesho, kandi hari inzugi zitugururwa hatabaye abantu bicishije bugufi imbere y'Imana. Ijuru ntiryugaye. Data ntiyahindutse. Ikibuze si ububasha bwo hejuru mw'ijuru; Ikibuze ni amavi yo gupfukama hasi. Kandi inkuru nziza n'iyi: Imana ntikeneye benshi kugira ngo itangure. Ikeneye uwuvuga ati: "Ndi hano."

> **UKURI NYAMUKURU**
> Ubwami bw'Imana butera imbere biciye ku bantu basenga kandi bisonzesha. Imana ntirondera uburyo bushasha; irondera abantu bari maso.

Ivyabona bidukikije

Muri iki gitabo sizokwigisha ndumwe. Nzokoresha inyandiko z'abantu Imana yakoresheje mu kwigisha Ishengero gusenga no kwisonzesha: E. M. Bounds, Andrew Murray, R. A. Torrey, Leonard Ravenhill, Arthur Wallis, Derek Prince, Bill Bright, John Piper, Richard Foster, Watchman Nee, George Müller, Timothy Keller n'abandi. Bavuye mu bihugu no mu bihe bitandukanye, ariko bahuriza kuri iki: ata kintu gisubirira isengesho. Ibitabo vyabo ubisanga ku rutonde ruri inyuma. Ntidukurikira abantu; dukurikira Kristo. Ariko ni vyiza kwumva abatugiye imbere mu nzira.

Ubutumire

Ubu rero, musomyi, sinkubaza ingene wahora usenga ariko ndakubaza "**urashaka guhaguruka**?" Ijambo Yesu yabwiye abigishwa ntiryari iryo kubakangura gusa; ryari iry'ubuntu. Yabasanze basinziriye ibiheta ngabo bitatu, ntiyabirukana. Inyuma y'izuka, wa Petero wawundi yasinzira ni

we yahagaze ku musi wa Pentekoti. Umwe Petero atashoboye kuba maso isaha imwe, ni we dusubira kubona aduga ku rusengero "kw'isaha y'isengesho" (raba Ivyakozwe n'intumwa 3:1). Imana ntikengera, ntita urunuka abasinziriye; Irabakangura.

Kumbure uvuga uti: "Narageregeje kenshi, biranka." Petero na we ni ko vyamugendeye. Kumbure uvuga uti: "Nta mwanya mfise." Tuzobiganirako. Kumbure uvuga uti: "Narasenze, Imana ntiyanyishura." Ico na co tuzokiraba ata buryarya, kuko iki gitabo ntigihisha ibibazo bikomeye. Ico ngusaba uno musi si ukwishura ivyo vyose; ni uguhaguruka gusa, ugatera intambwe ya mbere.

Ijambo ry'Imana rivuga riti: "*ngw Ikangure, wewe usinziriye, uzuke uve mu bapfuye, Kristo arakumurikira.*" (Abanyefeso 5:14). Rirongera riti: "*…yukw igihe gishitse co kwikangura.*" (raba Abaroma 13:11). Ntukeneye kubanza kuba intwari. Ntukeneye kubanza kumenya vyose. Ukeneye gusa kuvuga nka wa mwigishwa uti: *"… Mugenzi, twigishe gusenga, nk'uko Yohana yigishije abigishwa biwe.*" (raba Luka 11:1).

Fata rero iki gitabo nk'uko ufata isuka mu gitondo: si iyo kuraba, ni iyo kurimisha. Ugurura urupapuro rukurikira. Itara ryawe riracafise urutambi. Amavuta arahari. Umukwe ari mu nzira.

Haguruka. Usenge.

UMUGABANE WA I

UMUHAMAGARO

Ni kuki Imana ihamagarira abantu bayo gusenga, kandi ni kuki ubu?

> *Ewe Yerusalemu, nshize abashibamyi hejuru ku nzitiro zawe z'amabuye; nta ho bazocereza ku murango no mw ijoro; yemwe abibutsa Uhoraho ntimukaruhuke, kandi na we ntimwemere kw aruhuka, gushitsa ah' azovyurira Yerusalemu, akahahindura ishimwe mw isi.*
>
> *Yesaya 62:6-7*

IKIGABANE CA 1: UBWAMI BW'IMANA BUVA KU MAVI

> *ubwami bwawe buze, ivyo ugomba bibe mw isi nk'uko biba mw ijuru.*
> *Matayo 6:10*

Musomyi mukundwa, uyu mugabane wa mbere ni ijwi riguhamagara. Imbere yo kwiga ingene dusenga, tubanze twumve igituma dusenga. Umuntu atarumva igituma ahaguruka, n'aho womwereka inzira nziza gute, yoguma yicaye. Ni co gituma ibigabane bitanu bikurikira bidatangurira ku buryo; bitangurira Kw'umuhamagaro.

Mu kigabane ca mbere, turaba ikibanza isengesho rifise mu mugambi w'Ubwami bw'Imana. Mu ca kabiri, turishura ikibazo coroshe ariko gikomeye: isengesho ni iki? Mu ca gatatu, turicara ku birenge vya Yesu, Umwigisha w'isengesho, turabe ingene we ubwiwe yasenga. Mu ca kane, turagendera abagabo n'abagore bo muri Bibiliya basenze, Imana ikabishura. Mu ca gatanu, turibaza tudahishanya: ko tuzi ivyo vyose, ni kuki tudasenga? Tuzoraba inzitizi cumi zizimya umuriro n'ingene zitsindwa.

Ntusome uyu mugabane nk'uwurondera ubumenyi gusa. Imana ntiguhamagara ngo ikuremereze umutwaro, iguhamagara ngo ikwegereze umutima wayo. Uwuhamagara ni Data. Ijwi ryiwe ntirikangana, rirakangura. **Haguruka.**

Isuka iri mu kuboko kwawe

Mu Burundi, umurima nturimwa n'amajambo. Abantu barashobora kwicara ku rugo, bakavuga ivy'imvura, ivy'imbuto n'ivy'ifumbire, bakaja impari gushika izuba rirenze. Ariko umurima uguma ari ikigunda gushika umuntu umwe afashe isuka, akamanuka kurima. Imvura ni iy'Imana. Imbuto ni iy'Imana. Ubutaka ni ubw'Imana. Ariko isuka iri mu kuboko kw'umuntu.

Isengesho ni iryo suka. Ubwami bw'Imana ntibuza kubera ko tubuvuga neza, canke kubera ko dufise inyubako nziza n'imigambi itunganijwe. Buza iyo abantu b'Imana bapfukamye. Iki kigabane cerekana ukuri kumwe: mu mugambi w'Imana, isengesho si ikintu congerwa ku gikorwa. Ni ryo rikingura umuryango igikorwa c'Imana gicamwo.

Imana yacungishije isi umuntu

Mu ntango, Imana yaremye umuntu mw'ishusho yayo, imuha kuganza isi: amafi, inyoni, ibitungwa n'isi yose (raba Itanguriro 1:26–28). Umwanditsi wa Zaburi avyibutsa mu majambo make: "*Amajuru n'amajuru y'Uhoraho, Arikw isi yayihaye abana b'abantu.* " (Zaburi 115:16). Imana ntiyigeze yisubirako kuri iyo ngingo. Ni Umwami w'ijuru n'isi, ariko yahisemwo gukorera kw'isi icishije mu bantu.

Icaha carononye vyose. Umuntu yataye ikibanza ciwe, isi ija mu mwiza. Ariko Imana ntiyaretse umugambi wayo. Igihe gikwiye kigeze, Umwana wayo yacitse umuntu, kugira ngo ivyo umuntu yatakaje bigarurwe n'Umuntu. Ku musaraba, Yesu yaranesheje. Amaze kuzuka, yavuze ati: "… Jewe nahawe ububasha bgose mw ijuru no mw isi. " (Matayo 28:18). Kuva ico gihe, abamwizera barasubira guhagarara mu kibanza Imana yari yarageneye umuntu: gukorana na yo.

Myles Munroe, mu gitabo ciwe "Understanding the Purpose and Power of Prayer" (Gutahura intumbero n'ububasha vy'isengesho), abivuga gurtya: gusenga ni umuntu aha Imana uruhusha rwo gukorera kw'isi. Ntashaka kuvuga ko Imana ari inyantege nke. Ashaka kuvuga ko Imana yubaha urutonde yishingiye ubwayo. Yahaye umuntu isi, none irindira ko umuntu ayitumira. Isengesho rero ryazananye mu mugambi w'Imana. Ni ijwi ry'umuntu avuga ati: "Mwami, ingo ukorere ng'aha."

Imana irondera uwuhagarara mu kirengero

Hari ijambo ribabaje mu gitabo ca Ezekiyeli. Imana ivuga ko "*Kandi narondeye umuntu muri bo yosana uruzitiro, agahagarara imbere yanje mu kirengero ahagarariye igihugu, ngo noye kugihonnya; ariko nta n'umwe nabonye.*" (Ezekiyeli 22:30). Yesaya na we avuga ko Imana yaravye, ibona ata muntu ahari, itangazwa n'uko ata wuhagarara hagati (raba Yesaya 59:16).

Iyumvire ico ivyo bisigura. Imana ifise imbabazi zishaka gusendanishiriza mu bantu bayo. Ifise ububasha bwo gukiza. Ariko irondera umuntu. Si uko ibuze inguvu; ni uko yahisemwo gukorana n'abana bayo. Umuvyeyi arashoboye kwiterurira umuzigo, ariko ahamagara umwana wiwe ngo bawuterurire hamwe. Si uko amukeneye. Ni uko amukunda, kandi ashaka ko akura.

John Wesley yavuze ko Imana ata co ikora atari mu kwishura isengesho. Naho tutomenya neza amajambo yakoresheje, ico ciyumviro kiratwibutsa ivyo Bibiliya yigisha: Yakobo yanditse ati: "…*Ntimuhabga kuko mudasaba*"(Yakobo 4:2). Hari imihezagiro Data yateguye, irindiriye gusa ko hagira uwuyisaba.

E. M. Bounds, mu gitabo "Power Through Prayer" (Ububasha buva mw'isengesho), yanditse ikintu Ishengero ry'iki gihe rikwiye kwumva. Ishengero rirondera uburyo bushasha; Imana yoyo irondera abantu beza kuruta – abantu b'isengesho. Uburyo bw'Imana ni abantu. Mpwemu Yera ntagendera mu migambi ariko agendera mu bantu. Ntasiga amavuta ivyuma n'inyubako ariko asiga amavuta abagabo n'abagore bapfukama.

Ivyo ntibisigura ko imigambi ari mibi. Umurimyi arategura umurima, agatoranya imbuto. Ariko azi ko atari we arekura imvura. Ishengero ritegura neza ariko ntirisenge rimeze nk'umurimyi yabivye mu ci, akicara akarindira ivyimburwa.

Yesu yatwigishije gusaba ko Ubwami buza

Igihe abigishwa basaba Yesu ngo abigishe gusenga, mu vya mbere yabashize ku munwa harimwo iri sengesho: "*ubwami bwawe buze, ivyo ugomba bibe mw isi nk'uko biba mw ijuru. "* (Matayo 6:10). Raba neza: Yesu ntiyavuze ngo mwicare murindire Ubwami. Yavuze ngo mubusabe. Ubwami ni ubw'Imana, ariko ukuza kwabwo mu rugo rwawe, ku mutumba wawe no mu gihugu cawe, yagushize mw'isengesho ry'abana bayo.

Ubwami bw'Imana ni iki? Ni ukuganza kw'Imana: aho Imana iganza, ivyo igomba bigakorwa. Mw'ijuru, ivyo igomba bikorwa ata nkomanzi. Kw'isi, hari ingo zisambuka, imitima ikomeretse, akarenganyo, urwanko n'ubukene bw'umutima. Gusenga uti "*ubwami bwawe buze*" ni ugufata ivyo mw'ijuru ukabisaba bikaza kuba inyishu kw'isi. Ni ukuvuga uti: Data, nk'uko amahoro aganza iwawe, naganze iwacu. Nk'uko izina ryawe ryubahwa mw'ijuru, niryubahwe mu muryango wanje.

Yesu yongeyeko ati: "*Ariko mubanze mwitwaririke ubwami bw'Imana n'ukugororoka kwayo, ni ho ivyo vyose muzovyongerwa*." (Matayo 6:33). Isengesho ry'Ubwami ritangurira ku vy'Imana, ntiritangurira ku rutonde rw'ivyo dukeneye. Ivyo dukeneye Data arabizi, kandi aratubwira ngo tubimusabe. Ariko umutima w'umusenzi ubanza kwitaho izina rya Data, Ubwami bwiwe n'ivyo agomba.

Watchman Nee, mu gitabo "The Prayer Ministry of the Church" (Igikorwa c'isengesho c'Ishengero), yigisha ko isengesho ry'Ishengero ari ukwemeranya kw'isi n'ivyo ijuru rigomba. Yesu yavuze "*Ndababwire ukuri: Ivyo muzohambira mw isi vyose bizoba bihambiriwe mw ijuru; kand' ivyo muzohamburura mw isi vyose bizoba bihamburuwe mw ijuru. Kandi ndababwira ukuri yukw ababiri muri mwebwe ni bahuriza inama mw isi gusaba ikintu cose, Data wo mw ijuru azokibakorera. Kukw aho babiri canke batatu bazoba bakoraniye mw izina ryanje, nanje nzoba ndi hagati muri bo.*" (Matayo 18:18–20). Ijuru rifise ico rigomba; Ishengero ni ryo rivuga "Amen" kw'isi. Ni co gituma isengesho ry'abahuj'umutima rifise ikibanza co kuzana Ubwami bw'ijuru ngaha kw'isi.

Mu Vyakozwe n'intumwa, Ubwami bwateye imbere biciye ku mavi

Nimba ushaka kubona ingene Ubwami buza, soma igitabo c'Ivyakozwe n'intumwa ufise ikaramu mu ntoke, uce akarongo ahantu hose usanze abantu basenga. Uzosanga ata ntambwe n'imwe ihambaye Ishengero rya mbere ryateye ritabanje gupfukama.

Basenze	Imana ikora iki?	Raba
Abigishwa nka 120 bagumye hamwe mw'isengesho mu nzu yo hejuru	Mpwemu Yera aramanutse; abantu nk'ibihumbi bitatu barizera	Ivyakozwe n'intumwa 1:14–15; 2:1–4, 41
Ishengero risenga rihuje ijwi rimaze guterwa ubwoba	Aho bari haranyiganyiga, buzuzwa Mpwemu Yera, bavuga Ijambo bashize amanga	Ivyakozwe n'intumwa 4:24–31
Intumwa zihitamwo kwihebera isengesho n'Ijambo	Ijambo ry'Imana rirakwira, abigishwa bararwira cane	Ivyakozwe n'intumwa 6:4, 7
Koruneliyo asengera i we; Petero asengera hejuru ku nzu	Umuryango w'Ubutumwa Bwiza wugururirwa amahanga	Ivyakozwe n'intumwa 10:1–9, 44–48
Ishengero risengera Petero rishimitse, ari mw'ibohero	Umumarayika aramubohora, inzugi zirikingura	Ivyakozwe n'intumwa 12:5–11
Ab'i Antiyokiya basenga bisonzesha	Mpwemu Yera arungika Barunaba na Sauli mu mahanga	Ivyakozwe n'intumwa 13:1–3
Paulo na Silasi basenga baririmba mw'ijoro hagati	Ibohero riranyiganyiga; umurinzi n'urugo rwiwe barakizwa	Ivyakozwe n'intumwa 16:25–34

Iyi si inkuru ya kera gusa. Ni ko Ubwami bw'Imana bugenda mu bihe vyose. Aho abantu basenga, ijuru rirakora. Aho isengesho rizimye, hasigara ibikorwa vy'abantu: birashobora kuba vyinshi, bikagira n'urwamo, ariko ntibihindura imitima.

UKURI NYAMUKURU

Ubwami ni ubw'Imana, ariko yahisemwo kubuzana kw'isi icishije mu masengesho y'abana bayo. Isengesho si ryo ryongerwa ku gikorwa c'Imana; ni ryo rikingura umuryango igikorwa cayo gicamwo.

Ni kuki ubu?

Hari uwokwibaza ati: ko abantu bamye basenga, ni kuki iki gitabo kivuga ngo "haguruka"? Kubera ko igihe turimwo gisaba abashibamyi. Paulo yandikiye ab'i Roma ko isaha yo gukanguka igeze kandi agakiza kacu karatwegereye kurusha igihe twizereye "*Nuko mwame mugenza murtyo, kuko muzi imisi, yukw igihe gishitse co kwikangura. Non' agakiza kacu karatwegereye, kurusha igihe twizereye.* " (Abaroma 13:11). Yesu na we yabonye amasinzi ameze nk'intama zitagira umwungere, aca abwira abigishwa ko ivyimburwa ari vyinshi ariko abakozi bakaba bake. Ntiyababwiye ngo babanze bategure imigambi. Yababwiye ngo basabe Nyen'ivyimburwa arungike abakozi (raba Matayo 9:36–38).

Raba hirya no hino. Ingo nyinshi zirahungabana. Urwaruka rurarondera aho rushira umutima. Ibihugu vyacu bikeneye amahoro, ubutungane n'ugusubiza hamwe. Amashengero menshi afise inyubako n'ibikorwa, ariko icumba c'isengesho kikaguma kirimwo ubusa. Leonard Ravenhill, mu gitabo "Why Revival Tarries" (Igituma umuvyuro uteba), yavuze ko ikoraniro ry'isengesho ari co kibanza Ishengero ryibagiye. Ivyo yanditse kera biracari ukuri uno musi.

Ariko iyi si inkuru y'agahinda. Ni inkuru y'icizigiro. Imana yashize abashibamyi ku nzitiro, kandi ibabwira ngo ntibayihe akaruhuko gushika ishikije ivyo yasezeranye (raba Yesaya 62:6–7). Iyumvire: Imana ubwayo idusaba kuyibutsa! Uwuduhamagarira gusenga ni we nyene yiteguriye kutwishura.

Kandi ntirondera abahambaye. Irondera abemera. Umurimyi, umudandaza, umunyeshure, umuvyeyi ari mu rugo, umutama atagishobora kugenda kure: umwe wese arashobora kuba umurinzi. Ku nzitiro z'umuryango wiwe, z'Ishengero ryiwe n'iz'igihugu ciwe. Hari ikibanza c'isengesho kikurindiriye ko ugikoremwo.

Ivyo twibuka

- Imana yahaye umuntu gutwara isi, kandi ntiyisubiyeko; ikorera kw'isi ifatanije n'abantu bayo.
- Imana irondera uwuhagarara mu kirengero; si uko ibuze inguvu, ni uko yahisemwo gukorana n'abana bayo.
- Yesu yatwigishije gusaba ko Ubwami buza n'uko ivyo Imana igomba bikorwa kw'isi nk'uko bikorwa mw'ijuru.
- Mu Vyakozwe n'intumwa, intambwe yose ihambaye y'Ishengero yabanjirijwe n'isengesho.
- Uburyo bw'Imana ni abantu b'isengesho, si imigambi gusa.
- Iki ni igihe co gukanguka: Imana ihamagara umwe wese ngo abe umurinzi ku nzitiro.

Ibibazo vyo kwiyumvira no kuganira

1. Ni igiki gishasha wize ku kibanza isengesho rifise mu mugambi w'Ubwami bw'Imana?
2. Soma Ezekiyeli 22:30. Uno musi, ni ikirengero ikihe ubona mu rugo rwawe, mw'Ishengero ryawe canke mu gihugu, Imana ishobora kuba iguhamagarira guhagararamwo?
3. Ni ibiki mu buzima bwawe canke mw'Ishengero ryawe bikorwa hatabanje gusengwa? Vyohinduka gute?
4. Gusenga uti "Ubwami bwawe nibuze" bisigura iki ku muryango wawe muri iyi ndwi?
5. Ni igiki kikubuza kwibona nk'umurinzi Imana yashize ku nzitiro?

Intambwe y'iyi ndwi

- Tora ikibanza n'isaha uzohurirako n'Imana imisi yose muri iyi ndwi, naho yoba iminota cumi gusa; uvyandike.
- Andika "ibibuze" bitatu ubona (mu rugo, mw'Ishengero, mu gihugu), ubisengere umusi wose uvuga uti: "Ubwami bwawe nibuze ng'aha."
- Soma Ivyakozwe n'intumwa ikigabane ca 1 gushika ku ca 4, uce akarongo ahantu hose babonetse basenga.

> **ISENGESHO**
> Data wa twese wo mw'ijuru, ndagushimiye ko wampamagaye ku bw'izina rya Yesu Kristo. Mbabarira igihe cose nakoze ntabanje kukubaza, nkizigira inguvu zanje n'ubwenge bwanje. Uno musi ndumvise ijwi ryawe: ndahagurutse. Nshira ku nzitiro z'urugo rwanje, z'Ishengero ryanje n'iz'igihugu canje, ungire umurinzi atazohora. Ubwami bwawe nibuze mu mutima wanje, mu muryango wanje no ku mutumba wacu. Ivyo ugomba nibikorwe iwacu nk'uko bikorwa mw'ijuru. Mpwemu Yera, nyigisha gusenga. Mbisavye mw'izina rya Yesu Kristo. Amen.

Ko Ubwami buva ku mavi, dukeneye kumenya neza ico isengesho ari co n'ico ritari co: ni vyo ikigabane gikurikira kitwereka.